Imana Allah Iragirira impuhwe, umuntu w'umugwaneza iyo hagize ico agurisha, n'iyo hagize ico agura, n'iyo hagize ico yishuza

Mu vyakiriwe na Jaabiri (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'imana Allah) yavuze iti: "Imana Allah Iragirira impuhwe, umuntu w'umugwaneza iyo hagize ico agurisha, n'iyo hagize ico agura, n'iyo hagize ico yishuza".

[رواه البخاري] [صحيح]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ararikira abantu kurangwa n'impuhwe mu kworoherezanya mu bugwaneza mu gihe co kugurisha ikintu; gutyo umuguzi ntaremerezwe mu kumucirira (kumugenera igiciro), aheze agabanirizwe mu bugwaneza, n'ukworoherezanya mu bugwaneza mu gihe co kugura ikintu; maze ntacirire anebagura agaciro kaco; n'ukworoherezanya mu bugwaneza mu gihe co kwishuza ingurane; maze ntaremereze umworo n'umukene mu kumuhatira kwishura vyanka vyakunda, ahubwo akamusaba kwishura bukebuke mu bugwaneza, akanaha akanya uwunaniwe kwishurira ku gihe bahanye.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/3716